LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME
"ITEKA" association sans but lucratif
*Agréée par l'ordonnance ministérielle n°530/0273 du 10 novembre 1994 revoyant l'ordonnance 550/ 029 du 6 février 1991*
*Membre affilié de la fédération Internationale des Ligues des Droits de l'Homme (F.I.D.H)*

**LBDH/ 023 /2026** Kampala, Kuwa 07 Nyakanga 2026

**Kuri Nyenicubahiro William Samoei Ruto, C.G.H.**

**Umukuru w'igihugu ca Kenya**

**Nairobi-Igihugu ca Kenya**

**Imvo:** Akamo ko kwitwararika gukingira umubano hamwe no gukomeza ugushigikirana muri Afirika

**Nyenicubahiro mukuru w'igihugu,**

Umuhari uharanira agateka ka zina muntu mu Burundi ITEKA uri n'iteka ryo ku bitura n'icubahiro ku mabanga yanyu akomeye cane,ku bwigenge bwa Repuburika ya Kenya hamwe no ku ruhara ntangere igihugu canyu gifise ku mahoro , mu gufatana munda n'ukunywana vya Afirika yo mu buseruko.

Intumbero yacu ikomotse ku mwitwarariko uhasanzwe hamwe no gukinga inyuma y'amatangazo n'intumbero ziheruka kuvugwa ku vyerekeye abanyamahanga bari mu bikorwa bimwe bimwe vy'ubutunzi muri Kenya.Umuhari ITEKA uremera uburenganzira bw'ubwigenge bwa Reta iyo ariyo yose bwo gushiraho poritike yayo y'ubutunzi,yo gutunganya uko imirimo imwe imwe hamwe no gufata ingingo babona ko zikenewe zo gukingira inyungu z'abanyagihugu babo.Ivyo barabirekuriwe.

Ariko biherekezwa n'umwitwarariko ukomeye : **uwo kuraba ko poritike z'ibihugu hamwe n' amajambo aziherekeza atazana haba kwinuba mu kivunga,canke umutekano muke,canke urwanko ku bava mu mahanga bahaba,bakora bakanaterera hisunzwe amategeko mu butunzi bw'igihugu.** Ni neza na neza kw'izina ry'uwo mwitwarariko ko umuhari ITEKA wipfuje mu cubahiro canyu kubatera akamo ko kubikurikiranira hagufi.

**Inguvu z'ijambo ry'umukuru w'igihugu hamwe n'umwitwarariko wo gukinga icuka kibi**

**Nyenicubahiro umukuru w'igihugu,**

Amajambo y'abarongozi ba Reta ntiyigera aba imvugo isanzwe.Aha intumbero ikiganiro ca Reta,aratuma inyifato zimera uku canke kuriya, kandi arashobora guterera haba mu gukomeza icizere,haba gukomeza amacakubiri.Mu gihe ari

abanyamahanga,uwo mwitwarariko urakomera cane.Ingingo y'ubutunzi bwemewe n'amategeko ishobora,ku buryo ifashwe canke yakiriwe,kwakirwa n'igice kimwe c'abanyagihugu nk'ubutumire bwo gufata abanyamahanga nk'abatera ingorane canke nk'abakeba batipfuza kubona.

Ariko rero,uko kubibona uko bishobora kurengera vyihuta igisata c'ubutunzi.Bishobora kugwiza urwanko,gukomeza ikumirwa,gutuma abantu bamwe bamwe bagira urwanko kandi,mu bihe bikomeye,guhungabanya umutekano hamwe n'umubano w'abantu.Umuhari ITEKA ntiwibaza ko ibintu nk'ivyo coba ari icipfuzo z'indongozi za Kenya.

**Amakenga yacu ahagaze neza na neza ku kamaro ko gukinga ico cose cotuma bikorwa bigashobora kugira ingaruka.** Ugukinga ni vyo vyiza gusumba gushira mungiro mugihe icizere c'umubano gitanguye gutituka.

**Afirika yo mu buseruko: umuryango w'abanyagihugu imbere yo kuba akarere k'imbibe.**

**Nyenicubahiro umukuru w'igihugu,**

Kahise ka Afirika y'ubuseruko ni ako abanyagihugu imigenderanire yabo,kuva kera, barenze imbibe barazwe kuvamugihe c'ubukoroni. Imiryango,abadandaza, abadandaza,abakozi,abanyeshure,abanyamitahehamwe n'imiryango yo mukarere kacu itembera ku musi ku musi hagati y'ibihugu. Umurundi ashobora gukora muri Kenya. Umunyakenya,ashobora kugira imigambi mu Burundi. Umuganda ashobora kugira urudandazwa muri Tanzaniya. Umunyarwanda ashobora kwiga canke kugira imigambi muri Kongo.Urwo ruja n'uruza nta ngorane ruteye. Ni kimwe mu bigize ishingiro ry'umugambi wo gukorera hamwe mu karere.

Nico gituma umuhari ITEKA ufata ko **ugukingira inyungu z'ubutunzi bw'ibihugu hamwe no gukorera hamwe mu karere bidashobora nk'intumbero zibiri zinyuranye.**Kenya irashobora gukingira abanyagihugu bayo n'ubutunzi bwayo ikaguma yakira abanyamahanga.Birashoboka ko hagwanywa urudandazwa ruciye kubiri n'amategeko,ihiganwa ritarimwo umuco canke amabi yo mu butunzi hatarinze gufatirwa ku bwenegihugu nk'igituma vyikekwa. **Afirika ntikeneye imbibe nshasha mu mitima.** Elle a besoin davantage de confianceIkeneye cane cane icizere,uruja n'uruza,ugukorerahamwe hamwe n'ugushigikirana.

**Gukinga ikwirakwizwa ry'imvugo z'urwanko n'ikumira**

**Nyenicubahiro umukuru w'igihugu**

Kahise kavuba k' umugabane wa Afirika kerekana ko icuka c'ubutunzi n'imibano bishobora kenshi na kenshi kworohereza amajambo yagiriza abanyamahanga ko aribo batuma haba ubukene bw'akazi,isubira inyuma ry'ubutunzi n'uburyo bwo kubaho buzimvye. Hatabaye rero guhuza ibihe bijanye canke kugereranya ubuhinga bwo hagati y'ibihugu, ibihe vy'ubwicanyi bishingiye ku kwanka abanyamahanga vyaranze Igihugu ca Afirika y'epfo vyibutsa neza ibishobora kwaduka igihe akababaro kajanye n'ubutunzi butifashe neza bihura n'imvugo z'urwanko n'ikumira ...

Ingaruka gutyo ntiziri gusa muri paritike nk'iyo. Ingorane zihari ni uko abantu bagenda bamenyera buhoro buhoro ukubona umunyamahanga nk'uwuje guhungabanya ubutunzi canke imibereho myiza y'abantu.

Imbono k'iyo,igihe yoshinga imizi,ishobora kuzana inyifato mbi y'uruhererekane : ugukumirana,imigeranire,ukwihorana, kandi mu nyuma,itituka ry'imigenderanire hagati y'abasangiye akarere kandi basangiye kahise kamwe**.** Umuhari ITEKA ubonako ari indongozi zo muri Afirika zokinga izo ngorane imbere yuko ziza ubutagisubira inyuma.considère

**Inshingano zidasanzwe za Kenya**

**Nyenicubahiro mukuru w'igihugu,**

Igihugu ca Kenya gifise ikibanza cihariye muri Afirika y'Ubuseruko .Kubwo ubutunzi bwaco,intwaro yaco,akamaro kaco mu karere,hamwe n'ukwitanga mu ngendo yo kugarukana amahoro,igihugu canyu gifise ububasha bukomeye burenga imbibe zaco.Ico kibanza gituma kandi abarongozi bagira igikorwa gikomeye cane. Igihugu ca Kenya kirashobora gutanga akarorero ka Reta ikingira neza inyungu zaco c'ubutunzi mu kwemera n'inguvu ko **atamunyamahanga n'umwe akwiye gutotezwa mu kivunga kubera kuba akomoka mu gihugu runaka**.

Muri iyo ntumbero,umuhari ITEKA ubateye intege Nyenicubahiro murabe ko :

- Poritike y'ubutunzi iraba ibikorwa bimwe bimwe yotegurwa hanyuma igashirwa mu ngiro kuburyo bwo kurwanya ugusuzugurira muri rusangi abanyamahanga
- Inzego z'umutekano n'indongozi mu ntwaro zishira imbere ugukingira abantu bose baba ku butaka bwa Kenya, atakuraba igihugu aturukamwo ;
- Amajambo yo kumugaragaro yibutsa neza ingingo zijanye n'ubutunzi ntiyoba insiguro zo gukumira canke urwanko rw'imiryango y'abanyamahanga;
- Amatati ajanye n'ubutunzi ashiramwo abanyamahanga yo kurikiranwa hakurikije amategeko,ubuntu hamwe n'ingingo zo kudakumira ;
- Ukuganira n'indongozi z'imiryango y'abanyamahanga vyoshirwa imbere imbere yuko ingingo zishobora gukora ku mirimo yabo zishirwaho.

Ukwo kwiyubara ntivyoshobora kugabanya ikintu na kimwe Reta itarimwo. Ahubwo,vyokomeza icubahiro ca Kenya nka Reta ihagaze ku ntwaro yayo,Intwaro ishingiye ku mategeko kandi ishize hamwe n'ibihugu vyo mu karere. **Akamo ku ndongozi z'umuryango wa Afirika y'ubuseruko**

Umuhari ITEKA ufata ko ico kibazo kuva ubu kirengeye intumbero imwe y'imigenderanire hagati ya Kenya n'abahaba b'abanyamahanga. Kiraba kazoza n'umugambi muri kazoza mu muryango wa Afirika y'ubuseruko. Umuryango wa Afirika y'ubuseruko ntushobora kuba gusa amasezerano,inzego n'ubuhinga mu vy'ubutunzi. Utegerezwa kuba ikibanza aho abanyagihugu biga kubaho,gukora,kudandaza no kwubakira hamwe urengeye imbibe z'igihugu.

Umuhari ITEKA utera akamo mu cubahiro cindhi indongozi zama Reta n'intwaro zama Reta zifasha umuryango wa Afirika y'ubuseruko kushiraho ibiganiro vyamaho ku bibazo bishobora gukora uruja n'uruza,ibikorwa bijanye n'ubutunzi hamwe

n'umutekano vy'abavamahanga. **Iyinjira mu karere ryota igice kimwe c'insiguro yayo igihe ukwishira n'ukwizana mu ruja n'uruja vy'abantu hamwe n'amahirwe bijana n'amakenga. Akamo ko kuba amaso ku bumwe bwa Afirika**

Ukuba maso biraba inzego zo mu mugabane wose.Ubumwe bwa Afirika bufise intumbero imaze igihe: gukuraho bukebuke imbibe zitandukanya abanyagihugu b'abanyafirika hamwe no kwubaka umuryango ushingiye ku gufanya,gukorera hamwe,n'uguteanya imbere. Iyo ntumbero ntishobora gushikwakomu gihe abanyafirika batanguye gufata abandi banyafirika nk'abanyamahanga batifuza kubona.

Ikibazo ni kinini cane gusumba ic'abanyamahanga bari muri Kenya. **Kiraba ishusho ya Afirika dushaka kwubaka.**Afirika,aho Reta imwe imwe izokwiyugarana kuri yonyene,canke Afirika aho amaReta akingira inyungu zayo kandi zizi ko ubutunzi bwayo hamwe n'ubutungane bwigenga cane ?

Umuhari ITEKA,amahitamwo yategerezwa kuba atangorane. Afirika itegerezwa gukingira ubutunzi bwayo **itabivye amacakubiri mu banyafirika**.

**Nyenicubahiro mukuru w'igihugu,**

Umugambi wacu ntiwigeze uza guhahaza canke kwubahuka uburenganzira bwa Kenya,ndetse no kwiyamiriza uburenganzira bwo gutunganya ubutunzi bwacu.

Ni akamo ko kwiyubara,ko kwibuka amabwirizwa hamwe n'ugukinga.Turazi neza ko Reta ishobora kurwanira inyungu zabo z'ubutunzi atagushira mukangaratete agateka k'abantu mvamahanga.

Turazi neza ko intwaro ishobora gukinga amahirwe ahabwa abanyagihugu ata guhungabanya umutekano w'abanyagihugu babanyi.Turemeza neza ko ugukunda igihugu n'ugushirahamwe muri Afirika bitajanye. **Turashobora kurwanira ubutunzi bwacu tudakumiye ababanyi. Turashobora gukingira abanyagihugu bacu tudahangayikishije abanyamahanga. Turahobora kwerekana ko ubwigenge bwacu tudasubije inyuma umuvukano w'abanyafirika.**

Nico gituma Umuhari wo mu Burundi uharanira agateka aka zina muntu ITEKA utera akamo mu cubahiro canyu gushiraho,mu mvugo ndetse no mu ngiro mu nzego z'igihugu,ubutumwa burimwo umuco w'ibibwirizwa gukorwa ,ukunywana mu kibano,ukwubaha agateka ka zina muntu kandi budakumira. Tubateye intege kandi mukugira Kenya kibe igihugu c'akarorero mu karere mu kunywanisha gukenewe hagati **y'ubwigenge bw'igihugu,ugukingira ubutunzi,umutekano w'abantu hamwe no gushigikirana muri Afirika**.

Duhamagariye,muri iyo ntumbero,indongozi z'umuryango wa Afirika yo mu buseruko hamwe n'inzego z'ubumwe bwa Afirika kuguma bari maso ku kintucose gishobora guhungabanya umubano mu mahoro hagati y'abanyafirika hamwe no gushira imbere ibiganiro igihe cose hadutse icuka kijanya n'abavamahanga bari mu ihugu kinaka.**Kubera umutekano w'abanyagihugu ntiyoshobora kwubakira kw'ihungabana ry'umutekano w'uwundi.**

Kandi kubera urwanko rwarenze imbibe,si umuryango gusa usizwe mu kangaratete : **ni umuteka w'akarere kose uhungabanye. Afirika dushaka kwubaka ntitegerezwa kwegeranya gusa amareta. Itegerezwa kwegeranya abanyafirika.**

Tubasavye kwakira ,Nyenicubahiro mukuru w'igihugu,ivyipfuzo vyacu,mw'iteka ntangere.

**Kubw'umuhari wo mu Burundi uharanira agateka ka zina muntu ITEKA[1]**

**Anschaire NIKOYAGIZE**

Ligue Burundaise des Droits de l'Homme Bujumbura ITEKA

**Umurongozi**

**<u>Bimenyeshejwe:</u>**

-Abakuru b'ama Reta n'intwaro y'ibihugu bigize umuryango wa Afirika y'ubuseruko(EAC),

-Uwurongoye ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afirika

- Uwurongoye ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afirika

- Umunyamabanga w'ishirahamwe rya Afirika y'ubuseruko

- Komisariya y'ibihugu vyunze ubumwe mu kwitaho impunzi(HCR)

-Uwurongoye ishirahamwe rya Afirika riraba agateka ka zina muntu

-Ibiro vya komiseri mukuru w'ibihugu vyunze ubumwe ku gateka ka zina muntu

- Abo vyega baserukira ibihugu vyabo

[1] *Ni umunywani w'ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu(UIDH),ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu(FIDH), rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC. Ishirahamwe rigizwe n'Inani mpuzamashirahamwe 17 ku ntara hamwe n'ibisata 32 .*